THE ROBES AND GARMENTS OF PRIESTS
**Lesson 107**
**Exodus 39:1-2 ; Exodus 28:1-5**
Memory verse : « Standing before the throne and before the Lamb, dressed in white robes, with palm branches in their hands. » Revelation 7:9

## IMYAMBARO Y'ABAHEREZI

**Icirwa ca 107**

### Kuvayo 39:1-2, Kuvayo 28:1-5

Ijambo ngenderwako : « ***Bahagaze imbere y'iyo ntebe n'imbere y'umwgwzi w'intama, bambaye imyambaro yera, bari n'amashami y'ibigazi mu minwe. »*** **Ivyahishuriwe 7:9**

**I. Intangamarara**

Uhoraho amaze, kubereka ingene bazokubaka ihema ry'ibonaniro, abereka ingene bakwiye gukora umwambara abaherezi bazohora bambara mu gihe c'igikorwa co mwihema. Iryo hema bararyimura mu gihe baba bimutse bakarishinga ahandi; Uwo mwambaro wari uwera imbere y'Uhoraho ukaba ugizwe na: Efodi, umupfuko wo kwambara mu gikiriza, efodi, igitambara co mu mutwe, ikanzu n'umukanda. Ibi vyose vyategerezwa gukorwa mu nyuzi z'amarangi meza cane canke mu nyuzi z'izahabu ; bigakorwa mu buhinga.

Umuherezi yari Aroni mukuru wa Mose. Ariko Imana yasaba ko hageze aho apfa, yasubirirwa n'abana biwe, gutryo gutryo. Aho baca bambikwa iyo myambaro na cane cane mu gihe co kwimikwa mu mabanga y'ubuherezi. **Soma 29:29-30** Imana niyo yirobanurira abakozi mw'ishengero. Abakuru bakabahezagira. Ni naco gituma uwushatse kwiyimika bimuviramwo ivyago.

**II. Insobanuro ya bimwe mu bigize umwambaro.**

**1. Ikanzu** : Ikanzu ndende y'amaboko. yasobanurwa umwambaro mwiza w'umugeneni wa Yesu kristo. Abaherezi hamwe n'abandi bakuru barayambara mugihe co gukora ibikorwa mw'ishengero. Vyasobanurwa ko bejejwe kuko bariko bakore igikorwa cejejwe.iyi niyo myambaro y'abagororotsi.**Ivyah 19 :14**

**2. Utubuye dukorogoshoweko amazina 12 y'abana ba Isilayeri.** Utu twama dufashe kuri efodi. Vyasigura ko Abisilayeri bama bibutswe igihe cose umuherezi ari imbere y'Imana. Amasengesho yabo yashikira umutima wÍmana.

**3. Urimu na Tumimu : Abalewi 8:8** Mu giheburayo *Urimu* risobanura *Umuco*. Timimi risobanura *Agahore*. Twari utubuye duto duto umuherezi mukuru akadushira muri wa mufuko w'imbere kuri efodi.Twakoreshwa mu gihe co guca imanza. Vyasigura ko umuherezi mukuru yaba ariko avugana n'Imana kugira ngo ashobore kurongorwa nayo kugira Ukuri abe ariko gushirwa imbere. Muri iki gihe ca Kristo, ibi vyasubiriwe na Mpwemu Yera kuko niwe murongozi w'abizera. Abamufise bagendera m'ukuri.

**4. Efode** : Yari agakanzu katagera ku mavi, ntikagire amaboko. Umuherezi mukuru yakambara hejuru yayakanzu. Imbere hakaba wa mufuko urimwo Urimu na timimu ; ikaba yanditseko amazina 12 y'abana ba Isilayeri. Yariko udukengeri tw'izahabu k'umusozo wayo. Igihe umuherezi yaba yinjiye mw'ihema, twarakomangana bikumvikana, abasigaye m'urugo basenga ; baca bamenya ko amasengesho yabo yakiriwe ; bakamenya ko umuherezi akiri muzima. Kubwo gusenga ; natwe turumva amajwi yinkengeri ava mw'ijuru aho umuherezi wacu Yesu aba yakiriye amasengesho yacu.

**5. Umukanda :** yawambara murukenyerero hejuru ya Efodi. Nkuko umukanda ukomeza umwambaro wose, niko amasengesho arizo nkomezi z'abari m'urugendo ruja mw'ijuru.

**6. Akantu kabase mu nzahabu yayaya karandikwako ngo** : **28 :36**
« YARABONURIWE UHORAHO » yakambara hajuru ya ca gitambara yafunze mu mutwe. Umuherezi yiri uwera. Niwe yaserukira abantu ku Mana agatanga ibimazi vy'amaraso; akaba ariwe abasengere cane. Ni nawe yabigisha ya mategeko yose y'Imana.

Ni ivyumvikana ko vyamusaba kwirinda cane kugira ntakoze isoni iri zina rimwanditseko. Vyoba biteye isoni nk'igihe yofashwe ariko arasambana, yiba canke ariko aratukana n'abandi. Aha niho tubonera ko umukozi w'Imana Umurongozi w'ishengero, umurongozi w'umurwi kanaka mw'ishengero, umwizera wese akwiye kwiyubara kugira ntakoze isoni izina rimwanditseko.

**III. Umwambaro w'umuherezi mukuru.**

Igikorwa c'ubuherezi cayoborwa n'umuherezi mukuru. Umwambaro wiwe waba utandukanye n'iyabandi baherezi. Uyu mwambara warerekana uburanga bwa Kristo yariko araza mw'isi. No mw'isi hose ntabundi bwoko bwambara nk'iyi myambaro.

Iyi myambara ntibapfa uko bayambaye. **Soma Abalewe 8:8-9** Nahao ubu umuntu akoreshwa n'ukwizera, hariho urutonde rudakwiye guhinduka bivanye naho isi igeze. Umwambaro w'umukristo ntukamera nk'uko ab'isi bambara.

Mu bibanza vyo kwinezereza, ni kumenya ko warobanuriwe Uhoraho ntumukoze isoni. Naho hoba mubihe vyo kwinonora imitsi.

Umurongozi mw'ishengero adatinya uko yambara, akwiye guhagarikwa ataranduza iyo ngeso mbi abandi kuko niwe ategerezwa kuba icitegererezo mubo ayoboye. Ishengero ntiryemera imvugo y'abanyantegenke ivuga ngo : « Imana iraba k'umutima gusa » iyo biba uko, ntiyari gushinga imyambaro ku baherezi biwe.

## IV. Gushira mu ngiro

Uhoraho niwe muremyi w'ijuru n'isi. Akora ico ashatse uko abishatse. Nkuko yategeka abinjira ahera kwambara umwambaro mwiza w'iteka. N'ubu niko asaba uwo wese yemerewe kwinjira ahera no gushika ahera cane kwambara umwambaro w'ubugororotsi.

Uyu mwambaro utera iteka nyene kuwambara n'igikorwa c'Imana yarobanuriwe.Yohana yeretswe abanesheje Bahagaze imbere y'iyo ntebe n'imbere y'umwgwzi w'intama, bambaye imyambaro yera, bari n'amashami y'ibigazi mu minwe. Ntucikwe n'ibi birori bizobera mw'Ijuru. Urashobora kuba ata mwambaro uraronka canke wambaye uwacafuye kubera icaha kakaka, wohaguruka ubu nyene ugasenga Yesu akakwambika uyu mwambaro mwiza mukazosangira ubwami.